KIDS GOD WORSHIP

www.kidworship.kr

# Yakobo III

- 11th Story -




73Page

**Uwuvuga** Inyuma y'imyaka mirongo ibiri, Yakobo yiyumvira gusubira iwabo i Kanani, umusi umwe Yakobo ahitana amasho n'ubutunzi bwiwe bwose, ariko ari mu gushika iwabo atangura kugira ubwoba bwa mukuruwe Esau.

**Yakobo** "Mbe hamwe Esau yoba akimfitiye agashavu?"

---




74Page

**Uwuvuga** JYakobo atangura kurungika abasavyi biwe kuri mukuru we. Mu nyuma baragaruka baramubwira:

**Umusuku** "Mukuru wawe yegeranije abagabo amajana ane kandi aje ngo muhure."

**Uwuvuga** Yakobo yumvise ivyo agira ubwoba bw'uko mukuru we ko yoba aje kumusubiriza mu nkoko.

---



75Page

**Uwuvuga** Yakobo atangura kurungika umuryango wiwe hama abwiriza abasuku biwe gutegura ingabire ya mukuruwe. Yakobo yari afise ubwoba bwinshi cane kuko yibaza ko mukuruwe ashobora kumugirira nabi, bituma yisigaza inyuma.

---




76Page

**Uwuvuga** Muri iryo joro, Yakobo arara wenyene adakubise n'urugohe ku bw'uguhagarika umutima. Hanyuma ubwo nyene, haza umugabo bukwi na bukwi atazi iyo avuye. Yari umumalayika arungitswe n'Uhoraho kunigana na Yakobo ijoro ryose. Yakobo akoresha inkomezi ziwe zose kugira amutsinde. Izuba riserutse wa mu malayika abwira Yakobo.

**Umumalayika** "Kuva ubu ugiye kwitwa Isirayeli."

---



77Page

**Uwuvuga** Umumalayika amaze kugenda , Yakobo ahura na mukuruwe Esau ntiyasubira guhagarika umutima kuko mukuruwe yaje amugana aramugumbira n'igishika cinshi.

**Esau** "Murumunanje, naragukumbuye!"

**Uwuvuga** Abo bavukanyi babiri bafatana mu bitugu bompi hama bararira ku bw' ikigumbagumba. Yakobo yagendeye mu mugisha no gutoneshwa n'Uhoraho n'abavyeyi, yabaye umutunzi abifashijwe n'Uhoraho hama asubira mu gihugu c'amavuko.